

# IMFASHANYO IVA MW IJURU

Categuwe na Watson Goodman

Gitangwa ku buntu —
Ntikigurishwa

# IMFASHANYO IVA MW IJURU

**"IMFASHANYO IVA MW IJURU" n'urutonde rw'imirongo ihwanye mu Vyanditswe Vyera kand' iyo mirongo ikaba yatowe mu bice vyinshi vyo muri Bibiliya. Ndizera cane yukw igishobora gusobanura neza Ivyanditswe ari Bibiliya yonyene ubgayo.**

**Ijambo ry'Imana "riva mw ijuru" kandi rirafasha neza cane imitima ishonje kand' inyotewe ivy' ukugororoka. Igihe umuntu yihannye, agaheba icaha, maze agahamagara Umwami Yesu Kristo ngw abe mu mutima wiwe, kand' akizeresha umutima wiwe wose Umwami Yesu Kristo kw ar' Umukiza wiwe, uwo Mwami ubgiwe azomwiyereka kand' amuhe umunezero wiwe n'amahoro ayashire mu mutima w'uwizeye. Ivyo nabibonye mu mutima wanje mu mwaka wa 1937, kandi kuva ico gihe sindigera niyonjorora mur' ico gitangaza co gufatanya n'Umwami wanje ngo ndakivemwo. Ndakwinginze mur' aka kanya ngo wihe Yesu umwakire ngw abe Umukiza n'Umwami wawe namb' utaribgabikore. —Watson Goodman (1920-2002)**

Yohana 15:13
Nta wogira urukundo ruruta urw' uk' umuntu yigura abakunzi biwe.

Yohana 13:1
Umusi wa Pasika utarashika, Yesu amenye kw igihe ciwe gishitse co kuva mw isi ngw aje kwa Se, uko yakunda abiwe bari mw isi, ni ko yabakunze gushitsa ku muhero.

Ivyahishuriwe Yohana 1:5
No kuri Yesu Kristo, icabona co kwizigirwa, imfura y'abari barapfuye, ūganza abami bo mw isi. Umwe adukunda, yatubohoje ivyaha vyacu amaraso yiwe.

Abaroma 5:8
Arikw Imana yatweretse urukundo rwayo idukunda, kuko Kristo yadupfiriye tukir' abanyavyaha.

Yohana 3:16
Kuk' urukundo Imana yakunze abari mw isi ari rwo rwatumye itanga Umwana wayo w'ikinege, ng' ūmwizera wese ntaz' apfe rubi, arikw ahabge ubugingo budashira.

Yeremiya 31:3
Uhoraho yanyiyeretse kera, ati N'ukuri naragukunze urukundo rudashira; ni co gituma nkwiyegerezanya imbabazi.

1 Timoteyo 3:16

Nta wuhakana yukw ibanga ryo kwubaha Imana ridahambaye cane, n'iri: umwe yerekanywe afise umubiri, akaboneka kw ar' umugororotsi mu mpwemu, akabonwa n'abamarayika, akamenyekanishwa mu banyamahanga, akizererwa mw isi, akadūzwa agahabga ubgiza.

Yohana 14:7-10a

Iyo muba mwarammenye, na Data muba mumuzi. Uhereye ubu muramuzi, kandi mwamubonye. Filipo aramubgira, ati Mugenzi, twereke So, bizoba bihaye. Yesu aramubaza, ati Mbega ko nabanye namwe igihe kingana girtyo, nturakaruha ummenya ga Filipo? Ūbonye jewe aba abonye Data: non' uvuga ute ngo Twereke So? Ntiwizeye ko jewe ndi muri Data, na Data ari muri jewe?

Yohana 1:1, 14

Ubga mbere na mbere Jambo yariho, kandi Jambo yahoranye n'Imana, kand' uwo Jambo yar' Imana. . . Kand' uwo Jambo yihaye umubiri, abana natwe, twitegereza ubgiza bgiwe, n'ubgiza bumeze nk'ubg' Umwana w'ikinege ava kwa Se, yuzuye ubuntu n'ukuri.

**Matayo 3:17**

**Buno rer' ijwa riva mw ijuru, rit' Uyu ni we Mwana wanje nkunda, akampimbara.**

**1 Yohana 4:15**

**Uwatura yuko Yesu ar' Umwana w'Imana, Imana iguma muri we, na we akaguma mu Mana.**

**Ab'i Kolosayi 2:9**

**Kuko muri we ari ho haba ukunengesera kwose kw'Ubumana mu buryo bg'umubiri.**

**Yesaya 9:6**

**Kuk' umwana atuvukiye, duhawe umwana w'umuhungu; ubutware buzoba ku bitugu vyiwe: azokwitwa Igitangaza, Umujanama, Imana y'ubushobozi, Data wa twese ahoraho, Umukama w'amahoro.**

**Matayo 17:5**

**Akivuga, haza igicu gikayangana, kibatera igitūtu; kand' ijwi riva muri nya gicu, riti Nguyu Umwana wanje nkunda, akampimbara; ni mumwumve.**

**Luka 1:35**

**Umumarayika aramwishura, ati Mpwemu Yera azokuzako, ubushobozi bg'Īsumba vyose buzogutera igitūtu: ni co gituma uwera azovuka azokwitwa Umwana w' Imana.**

# YESU YIMENYESHA UW' ARI WE

Yohana 4:25, 26

Nya mugore aramubgira, ati Ndazi ko Mesiya azoza yitwa Kristo; uwo ah' azozira ni we azoduserurira vyose. Yesu aramubgira, ati Ni jewe nyene turiko turavugana.

Yohana 11:25

Yesu aramubgira, ati Ni jewe kuzuka n'ubugingo. Ūnyizera n' iyo yoba yarapfuye, azobaho.

Yohana 13:13

Munyita Mwigisha na Shobuja, kandi mubivuga ko, kukw ari ko ndi.

Yohana 8:23

Na we arababgira, ati Mwebge mwamutse hasi, jeho namutse iyo hejuru; mwebge mur'ab' iyi si, jeho sind' uw' iyi si.

Yohana 9:5

Nkiri mw isi, nd' umuco w'isi.

Yohana 10:7

Nuko Yesu yongera kubabgira, ati N'ukuri, n'ukuri ndababgire: Ni jewe rembo ry'intama.

Yohana 6:35

Yesu arababgira, ati Ni jewe mutsima w'ubugingo: ūza kuri jewe ntazosonza na mba, kand' ūnyizera nta ho azogira inyota na mba.

Yohana 8:58

Yesu arababgira, ati N'ukuri, n'ukuri ndababgire: Aburahamu ataravuka, jewe namye ndiho.

### Matayo 14:19-21

Abgira abantu kwicara hasi ku vyatsi, yābīra ya mitsima itanu na za fi zibiri, ararangamiza, arāba mw ijuru, arabihezagira; amanyagura ya mitsima, ayiha abigishwa, abigishwa bagaburira ishengero. Bararya bose, barahāga. Batororokanya utumanyagu tw'imisigazwa twuzura ibisimbo cumi na bibiri. Kand' abāriye bār' abagabo nk'ibihumbi bitanu, ukūyemw' abagore n'abana.

### Luka 5:4-6

Ahejeje kuvuga, abarira Simoni, at' Igira mw idamba, muterere insenga zanyu murobe. Simoni aramwishura, at' Erega Mwigisha, twakesheje ijoro ryose twātamye, nta co twafashe: ariko kubg' ijambo ryawe ndaterera insenga. Babigize, baroba ifi nyinshi cane, insenga zabo zigomba gucika.

### Matayo 20:30, 34

Impumyi zibiri zari zicaye i ruhande y' inzira, zumvise yuko Yesu ahaciye ziratakamba, ziti Mwami, mwana wa Dawidi, tugirire imbabazi. . . Yesu azigirira akagongwe, akora ku maso yazo, zica zirahumūka, baramukurikira.

# 6 YESU KRISTO N'UMUREMYI KANDI N'UMWAMI

**Ab'i Kolosayi 1:16**
Kuko muri we ari ho vyose vyaremewe, ivyo mw ijuru n'ivyo mw isi, ibiboneka n'ibitaboneka, ur' intebe z'icubahiro, ur' ubgami, ur' ubukuru, ur' ububasha: vyose vyaremwe na we, biremerwa kuba ivyiwe.

**Abaheburayo 1:2**
Imana. . . mur' iyi misi y'iherezo yabaririye twebge mu kanwa k'Umwana wayo, uwo yashiriyeho kuba samuragwa wa vyose, ni we yahaye kurema isi.

**Abaroma 14:9**
Kukw icatumye Kristo apfa, akazuka, ar' ukugira ngw abe Umwami w'abāpfuye kandi n'uw' abariho.

**Yohana 1:3**
Vyose vyaremwe na we, mu vyaremwe vyose nta kintu na kimwe kitaremwe na we.

**1 Ab'i Korinto 1:9**
Imana n'iyo kwizerwa, yabahamagariye kugiririana ubumwe n'Umwana wayo Yesu Kristo Umwami wacu.

**Ivyakozwe N'intumwa 2:36**
Nukw abo mu muryango wa Isirayeli bose, ni bamenye badakekeranya yukw Imana yamugize Umwami na Kristo, Yesu umwe mwābamba.

Abaroma 14:10
Ariko weho, n'iki gituma uhinyura mwene So? Kandi nawe, n'iki gituma ukēngēra mwene So? Kuko twese tuzohagarara imbere y'intebe y'imanza y'Imana.

Ivyakozwe N'intumwa 10:42
Atugera kumenyesha abantu no gushinga intahe kw ari we Imana yashinze kuba Umucamateka w'abariho n'abapfuye.

Abaroma 2:16
Ni ko bizoba ku musi Imana izocira amabanga y'abantu amateka muri Yesu Kristo, nk'uk' ubutumwa bgiza nahawe buvuga.

Matayo 25:32
Amahanga yose azokoranirizwa mu nyonga ziwe, na we azobarobanura, nk'uk' umwungere arobanura intama mu mpene.

Yohana 5:22
Kuko Se ata n'umwe acira urubanza, arikw imanza zose yazishikirije Umwana.

2 Timoteyo 4:1
Ndakwihanikiririza mu nyonga z'Imana no mu za Kristo Yesu azocirakw iteka abazoba bariho n'abazoba bapfuye, kandi no kubgo kuzoboneka kwiwe n'ubgami bgiwe.

# 8 UGUCUNGURWA KUBONERWA MURI KRISTO GUSA

1 Ab'i Tesalonike 5:9

Kukw Imana itādushiriyeho kuturakira, ariko yadushiriyeho guheshwa agakiza n'Umwami wacu Yesu Kristo.

Yohana 10:9

Ni jewe rembo, kand' ūshika mu rugo wese aciye muri jewe arakizwa; agataha, agaturuka, akaronka icanya.

Yohana 14:6

Yesu aramubgira, ati Ni jewe nzira n'ukuri n'ubugingo: nta wushika kuri Data ntamujanye.

Abaheburayo 7:25

Ni co gituma ashobora gukiza rwose abashikīra Imana kubgiwe, kuko na ntaryo yamaho ngw abasabire.

Ivyakozwe N'intumwa 4:12

Kandi nta wundi agakiza kabonerwamwo, kukw ata rindi zina musi y'ijuru ryāhawe abantu dukwiye gukirizwamwo.

Yohana 8:24

Ico ni co gitumye mbabgira ko muzopfira mu vyaha vyanyu; kuko ni mutizera ko ndi We, muzopfira mu vyaha vyanyu.

Abaheburayo 5:9

Kand' amaze guhīngūrwa rwose, abera abamwumvira bose inyanduruko y'agakiza kadashira.

# UGUCUNGURWA KUBONERWA MURI KRISTO GUSA

### Luka 19:10

Kand' Umwana w'umuntu yazanywe no kurondera no gukiza icari cazimiye.

### 1 Ab'i Korinto 1:30

Ni yo ibaha kuba muri Kristo Yesu, yaduhindukiye ubgenge buva ku Mana, n'ukugororoka n' ukwezwa n'ugucungurwa.

### Ab'i Kolosayi 1:12-14

Mushime Data wa twese yabashoboje kuraganwa n'abera umwandu wo mu muco; yadukijije ububasha bg'umwiza, atwimurira mu bgami bg' Umwana wiwe akunda. Mur' uwo ni ho dufise ugucungurwa, ni kwo guharirwa ivyaha vyacu.

### Ivyahishuriwe Yohana 5:9

Baririmba indirimbo nsha, bati Birakubereye kwābīra igitabo, no kumena ibikimatanije, kuko wishwe, ugacungurira Imana abo mu miryango yose no mu ndimi zose no mu moko yose no mu mahanga yose, ubacunguje amaraso yawe.

### Tito 2:14

Yatwiguze kugira ngw aducungure, adukūrekw ivyo twagabitanije vyose, kandi yihumanurire ubgoko ngo babe icibare ciwe, barwane ishaka ry'ibikorwa vyiza.

### Abaroma 5:9

Nuko none tumaze gutsindanishirizwa n'amaraso yiwe, tuzorushiriza guheshwa na we gukizwa uburake bg' Imana.

### 1 Yohana 1:7

Ariko tugendeye mu muco, nk' uko na yo iri mu muco, tuba dufatanije ubgacu, kand' amaraso ya Yesu Umwana wayo atwoza icaha cose.

### 1 Petero 1:18, 19

Muzi yukw ivyo mwacungujwe ngo muve mu ngeso zanyu z' imburakimazi mwatojwe na ba sogokuruza atar' ibishira, nk'ifeza cank' izahabu, ariko mwacungujwe amaraso y'igiciro kinini, nk' ay' umwagazi w'intama utagira agasembga cank' ibara, ni yo ya Kristo.

### Abaheburayo 9:14

Mbeg' amaraso ya Kristo, uwo yitanze ku Mana atagira agasembga, abitewe na Mpwemu ahoraho, ntazorushiriza guhumanura imitima yanyu ngw ibikorwa vy'impfagusa biyivemwo, kugira ngo mubone ingene mukorera Imana nzima?

### Abanyefeso 1:7

Muri we ni ho duhērwa gucungurwa n'amaraso yiwe, ni kwo guharirwa ibicumuro vyacu, nk' ukw itunga ry'ubuntu bgayo riri.

Abanyefeso 2:8, 9

Ubuntu ni bgo bgabakijije kubg' ukwizera: na vyo nyene ntivyavuye kuri mwebge, n'ingabire y'Imana; ntivyavuye ku bikorwa, kugira ngo hoye kugira uwirarira.

Abaroma 5:1

None rero, ko twatsindanishirijwe no kwizera, dufise amahoro ku Mana kubg' Umwami wacu Yesu Kristo.

1 Yohana 5:4

Kukw icavyawe n'Imana cose kinesha isi; iyi ni yo ntsinzi yacu yatsinze isi, n'ukwizera kwacu.

Yohana 6:28, 29

Baramubaza, bati Tugire dute ngo dukore ibikorwa vy'Imana? Yesu na we arabishura, at' Igikorwa c'Imana ngiki: n'uko mwizera uwo yatumye.

Yohana 20:31

Arikw ibi vyandikiwe kugira ngo mwizere yuko Yesu ari we Kristo, Umwana w'Imana, no kugira ngo mwizeye mugire ubugingo mw izina ryiwe.

Ivyakozwe N'intumwa 16:31

Baramwishura, bat' Izere Umwami Yesu, urakira, mwe n'abo mu nzu yawe.

Ab'i Galatiya 5:6

Kuko muri Kristo Yesu, ar' ugukebga, ar' ukudakebga, bitagira ikimazi; ikigira ikimazi n'ukwizera gukoreshwa n'urukundo.

Zaburi 103:11

Nk'ukw ijuru ryitanguye isi, Ni kw ikigongwe agirira abamwubaha kingana.

Zaburi 108:4

Kukw imbabazi zawe ari nyinshi zigera hejuru y' amajuru; Ukuri kwawe gushika no mu bicu.

Gucura Intimba 3:22, 23

N'ukw imbabazi z'Uhoraho ari zo zatumye tudaherengetezwa, kukw ikigongwe ciwe kidahera: Cama ari gisha uko bukeye; ingen' ar' umwizigirwa biratangaje.

Tito 3:5

Iradukiza, itadukirishije ibikorwa vyo kugororoka twakoze, ariko, nk'ukw imbabazi zayo ziri, idukirisha ukwozwa kuzana ukuvyarwa ubga kabiri, ikadukirisha uguhindurwa basha na Mpwemu Yera.

Mika 7:18

N'iyihe Mana ihwanye nawe, iharira ibigabitanyo, ikīrengagiza igicumuro c'amasigarira y'abo yīzīziye? Ntuhorana uburake imisi yose, kuk' uhimbarwa no kugira imbabazi.

Zaburi 103:17

Arikw imbabazi Uhoraho agirira abamwubaha zahereye kera hose, zikazoshitsa ibihe vyose, Kand' ukugororoka kwiwe kuzoshitsa no ku buzukururuza babo.

Yohana 7:37

Nuko ku musi uherūkira ya misi mikuru, ni wo musi uruta iyindi, Yesu arahagarara, arasemerera, ati Namba har' ūfise inyota, n'aze kuri jewe, anywe.

Ivyahishuriwe Yohana 22:17

Kandi Mpwemu bo na wa mugeni barahamagara, bati Ngwino. Kand' uwumva n'ahamagare, ati Ngwino. Kand' ūfise inyota n' aze, ūgomba ni yākīre amazi y' ubugingo ku buntu.

Yesaya 1:18

Enda ni muze, twītātūre, ni k'Uhoraho agize; nah' ivyaha vyanyu vyotukura tukutuku, bizokwera derere nka shelegi; naho vyotukura nk'agahama, bizohinduka nk'ubgoya bg'intama y' umwero.

Matayo 11:28

Ni muze kuri jewe mwese abananiwe n'abaremerewe, ndabaruhura.

Luka 14:17

Igihe co kurya gishitse, atuma umushumba wiwe kubarira abātowe, ngo Ni muze, kuko bihejeje gutegurwa.

Yesaya 55:1

Yemwe abafise inyota, ni muze ku mazi, kandi n'ūdafise amahera na we n'aze; ni muze mugure, murye: ni mugure vino n'amata, mudatanze amahera cank' ibiguzi.

### 1 Yohana 3:10

Iki ni co kimenyekanisha abana b'Imana n'abana b'Umurwanizi: ūdakora ibigororotse wese s'uw' Imana, cank' ūdakunda mwene Data wundi.

### Abaroma 8:14, 15

Abarǫngōrwa na Mpwemu w'Imana bose ni bo bana b'Imana. Kuko mutāhawe impwemu y' ubuja ngo mwongere gutinya; ariko mwāhawe impwemu yo kubahindura abana b'Imana, idutakisha ngo Abba, Data.

### Ab'i Filipi 2:15

Kugira ngo ntimugire umugayo cank' akarohe, mube abana b'Imana batagira agasembga, hagati y'ab' iki gihe bagoramye b'ibidambidambi, abo mubonekeramwo nk'amatara mw isi.

### Yohana 1:12

Arikw abāmwākiriye bose yabahaye ububasha bgo gucika abana b'Imana, ni bo bizeye izina ryiwe.

### 2 Ab'i Korinto 6:17, 18

Nuko muve hagati ya ba bandi, Mubītandukanyeko, ni k'Uhoraho agize, Kandi ntimugakore ku kintu gihumanya na kimwe; Nanje nzobākira, Kandi nzobabera So, Namwe muzombera abahungu n'abakobga, Ni k'Uhoraho ashobora vyose agize.

Ab'i Galatiya 5:19-21

Kand' ibikorwa vy'akameremere kacu biramenyekana, n'ibi: ubushakanyi, ibihumanya, ivy' isoni nke, gusenga ibigirwamana, uburozi, ubgansi, intonganya, ishari, uburake, ikēba, kwitandukanya, ibice, igono, kuborerwa, kudandahirwa, n'ibindi ben' ivyo. Ivyo ndabibabūriye, nk'uko nabibabūriye kera, yukw abakora ibisa birtyo batazoragwa ubgami bg' Imana.

Yesaya 5:11

Bazobona ibara, abazindurwa mu gatondo no kwirukira ibibore-za, bakarāra kw ijoro gushitsa vino ibaboreje!

Abaroma 13:13, 14

Tugendane ingeso nziza, nk' abagenda ku murango, tutadandahirwa, tutaborerwa, tudasambana, tudakora ivy' isoni nke, tudatongana, tutagira ishari. Ariko mwambare Umwami Yesu Kristo, kandi ntimubabare ivy' umubiri, ngo mukore ivyo wifuza.

Imigani 23:31, 32

Ntukitegereze vino iy' itukuye, Iy' ica ibibatsi mu kirahuri, Igashōka neza: Uburuhiro iryana nk'inzoka, Igakomora nk'imvuvyi,

### Matayo 22:37, 38

Aramwishura, ati Mukundishe Uhoraho Imana yanyu imitima yanyu yose n'ubugingo bganyu bgose n'ubgenge bganyu bgose. Iryo ni ryo rihambaye rya mbere.

### Mariko 10:17-22

Agisohoka ngw akomeze urugendo, haza umuntu kuri we yirukanga, aramupfukamira, aramubaza, ati Mwigisha mwiza, nkore iki, ngo nze ndagwe ubugingo budashira? Yesu aramubaza, at' Unyitira iki mwiza? Nta mwiza, atar' umwe, ni we Mana. K'uzi ivyagezwe, ngo Ntukice, ntugasambane, ntukibe, ntukāgirize abandi ibinyoma, ntukagunge, wubahe so na nyoko. Aramubgira, ati Mwigisha, ivyo vyose naravyitondeye, mpereye mu buto bganje. Yesu amwitegereje aramukunda, aramubgira, at' Uhajije kimwe: genda, ushōre ivy' utunze vyose, ugabire aboro, ni ho uzogira itunga mw ijuru, utek' uze, unkurikire. Yumvise iryo jambo arijirwa, agenda ababaye, kuko yar' afise itunga ryinshi.

### Imigani 16:25

Harih' inzira umuntu yibgira kw ari nziza, Arikw amaherezo yayo n'inzira ishikana mu rupfu.

### 1 Ab'i Korinto 6:9, 10

Ntimuzi yukw abagabitanya batazoragwa ubgami bg'Imana? Ntimuzimire: abashakanyi, cank' abasenga ibigirwamana, cank' abasambanyi, cank' abagabo bendwa, cank' abagabo bendana, cank' ibisuma, cank' abifuza, cank' imborerwa, cank' abatukana, cank' abanyazi, ntibazoragwa ubgami bg'Imana.

### 1 Yohana 3:7, 8a

Bana bato, ntihakagire ūbazimiza: ūkora ibigorororotse ni we agorororoka, nk'uk' uwo agororoka. Ūkora ivyaha n'uwa wa Murwanizi, kuk' uhereye ubga mbere na mbere uwo Murwanizi yamye akora ivyaha.

### Yakobo 1:22

Kandi mube abakora ivy' iryo jambo, ntimube abaryumva gusa, mwibesha.

### Ab'i Galatiya 6:3

Umuntu ni yiyumvira kw ar' agakomeye, kand' ata co amaze, arībesha.

### Abanyefeso 5:6

Ntihakagire umuntu abahendesha amagambo y'ubusa: kukw ivyo ari vyo bizanira uburake bg'Imana abantu b'intabarirwa.

# ICAHA KIZANA URUPFU

**Yakobo 1:15**

Maz' ukwo kwifuza gutwara inda, kukavyara icaha, icaha kimaze gukura kikavyara urupfu.

**Abaroma 8:6**

Kwitwaririka ivy' umubiri kuzana urupfu, ariko kwitwaririka ivy' impwemu kuzana ubugingo n'amahoro.

**Ezekiyeli 18:20**

Umuntu akora icaha ni we azopfa: umwana ntazozira ibigabitanyo vya se, na se ntazozira ibigabitanyo vy'umwana wiwe; ubugororotsi bg'umugororotsi azobuharūrwako, ivyaha vy'umunyavyaha azobiharūrwako.

**Abaroma 5:12**

None rero ko bimeze birtyo, nk'ukw icaha cazanywe mw isi n'umuntu umwe, urupfu rukazanwa n'icaha, ni k'urupfu rushika ku bantu bose, kuko bose bākoze ivyaha.

**Luka 15:32**

Arikw akanyamuneza no guhimbarwa biratubereye: kuko murumunāwe uyu yari yarapfuye, non' arazutse; yari yarahavye, non' arahabutse.

**Imigani 11:19**

Ubugororotsi bushikana umuntu ku bugingo, Arik' ūkurikirana ikibi aba yikwegera urupfu.

Yohana 11:43, 44

Amaze kuvuga ivyo, asemerera n'ijwi rirenga, ati Lazaro, ngwino, sohoka. Uwari yāpfuye arasohoka, azingiriwekw impuzu ku maguru no ku maboko, n'igitambara gipfutse mu maso hiwe. Yesu arababgira, ati Ni mumuhamburure, mumureke, agende.

Ivyahishuriwe Yohana 1:18

Kandi ndi muzima; nari narapfuye, kandi rāba mpora ndi muzima ibihe bitazoshira, mfise impfunguzo z'urupfu n'iz' i kuzimu.

Luka 7:14, 15a

Yigira hafi y'ikigagara, agikorako, abahamvyi barahagarara. Aravuga, ati Muhungu, ndakubariye nti Vyuka. Uwari yapfuye aravyuka, aricara, atangura kuvuga. . .

Yohana 10:17, 18

Igituma Data ankunda, n'uko ndekura ubugingo bganje, ngo mpeze nsubire kubgābīra. Nta n'umwe abunyaka, kuko mburekura kubganje: mfise ububasha bgo kuburekura, mfise n'ububasha bgo gusubira kubgābīra. Ico ni co cagezwe nahawe na Data.

### Gusubira Mu Vyagezwe 5:7-21

Ntukagire izindi mana umbangikanya.

Ntukībāzire igishushanyo, cank' igisa n'ishusho y'ikintu na kimwe kiri hejuru mw ijuru, canke hasi kw isi, canke mu mazi yo mu biyaga; ntuz' uvyikubite imbere, ntuz' ubisabe. . .

Ntugapfe kuvuga izina ryanje, jewe Uhoraho Imana yawe, ku vy'ubusābusa, kuk' uworivuga ku vy'ubusābusa, jewe Uhoraho ntobura kubimuhōra.

Uze witondere umusi w'isabato, kugira ng' uwuziririze, nk'uko jewe Uhoraho Imana yawe nabikugeze. Mu misi itandatu az' abe ari yo ukoreramw' ibikorwa vyawe vyose: arik' umusi ugira indwi ni wo sabato yanje, jewe Uhoraho Imana yawe.

Wubahe so na nyoko, nk'uko jewe Uhoraho Imana yawe nabikugeze. . .

Ntukice. Kandi ntugasambane. Kandi ntukibe. Kandi ntukāgirize ibinyoma mugenzawe.

Kandi ntukifuze umugore wa mugenzawe, ntukifuze inzu ya mugenzawe, cank' itongo ryiwe, cank' umugurano wiwe, cank' umuguranokazi wiwe, cank' inka yiwe, cank' indogoba yiwe, cank' ikintu na kimwe ca mugenzawe.

Luka 8:17

Kukw ata canyegejwe kitazozanwa ahabona, cank' icagizwe ibanga kitazomenyekana kikaja ahabona.

Zaburi 139:8 na 12

Nodūga nkaja mw ijuru, uriyo: Nokwisasira i kuzimu, eh' uriyo. . . . N'umwiza na wo ntugira ico woguhisha, Ariko mw ijoro habona nko ku murango; Umwiza n'umuco kuri wewe ni bimwe.

Yobu 34:21, 22

Kukw inyonga zayo ziri ku nzira z'umuntu, Kandi yitegereza urugendo rwiwe rwose. Nta mwiza cank' igitūtu c' urupfu Ah' abakora ivy' ukugabitanya boshobora kwinyegeza.

Yeremiya 23:24

Har' uwoshobora kwinyegeza ahantu hihishije ngo nanje sindamubone? ni jewe Uhoraho mbibajije. Mbega sinkwiye ijuru n'isi? ni jewe Uhoraho mbibajije.

Abaheburayo 4:13

Kand' imbere yayo nta caremwe gihishijwe, ariko vyose vyambaye ubusa, biragaragara, imbere y'inyonga z'Iyizotubaza ivyo twakoze.

Imigani 15:3

Inyonga z'Uhoraho zir' ahantu hose, Zītegereza ababi n'abeza.

# IGIHANO KIDASHIRA KIZOHABGA ABATUBAHA IMANA

2 Petero 3:7

Arikw amajuru y'ubu, bo n'isi, iryo jambo ryabibikiye kuzosha, kugira ngo birindwe gushitsa ku musi w'amateka, wo gutikira kw'abatubaha Imana.

Zaburi 9:17

Abanyakibi bazosubizwa i kuzimu, Mbere n'amahanga yose yibagira Imana.

Matayo 18:8

Ukuboko kwawe cank' ikirenge cawe ni hagira ikigutsitaza muri vyo, ugice, ugite kure; vyokubera vyiza kwinjira mu bugingo ucitse igikonjo cank' ikirenge, hak' utererwa mu muriro utazima ufise amaboko yompi n'ibirenge vyompi.

Matayo 25:46

Abo bazoja mu gihano kidashira, arikw abagororotsi bazoja mu bugingo budashira.

Matayo 13:41, 42

Umwana w'umuntu azotuma abamarayika biwe, na bo bazotororokanya ibitsitaza vyose n'abakoze ibizira, babikũre mu bgami bgiwe. Bazobaterera mw itanure ry'umuriro, ni ho hazoba amarira no kuranya insya z' amenyo.

**Ivyakozwe N'intumwa 17:31**
Kuko yashinze umusi wo gucirakw isi yose amateka y'ukuri, izoyacisha umuntu yatoranije, kandi yahaye bose ikimenyamenya c'ivyo, mu kumuzura imukūye mu bapfuye.

**Abaroma 14:12**
Nuko rero, umuntu wese muri twebge azobazwa n'Imana ivyo yakoze.

**1 Yohana 4:17**
Ico ni co kimaze guhīngūra urukundo muri twebge, kugira ngo tuze dushire ubgoba ku musi w'amateka, kuk' ukw ari, ari ko turi mur' iyi si.

**Abaheburayo 9:27**
Kandi nk'ukw abantu bābīkiwe gupfa rimwe, hanyuma yaho hakaza amateka.

**2 Ab'i Korinto 5:10**
Kuko twese tutazobura kugaragarizwa imbere y'intebe y'amateka ya Kristo, kugira ng'umuntu wese ahabge ibihwanye n'ico yakoze akiri mu mubiri, ari ciza ari kibi.

**2 Petero 2:9**
Umwami Imana arazi gukiza abamwubaha ibibagerageza, no kurinda abagabitanya bahanwa gushitsa ku musi w'amateka.

2 Ab'i Korinto 9:15

Imana ishimirwe ingabire yayo nziza itovugwa.

1 Petero 5:5b

. . . kukw Imana irwanya abībona, arikw abicisha bugufi ikabaha ubuntu.

2 Ab'i Korinto 8:9

Kuko muzi ubuntu bg'Umwami wacu Yesu Kristo, yuko naho yar' umutunzi, yahindutse umwoyo kubganyu, kugira ng'ubgoro bgiwe bubatungishe.

Ivyakozwe N'intumwa 4:33

Kand' intumwa zāshingira intahe ukuzuka kw'Umwami Yesu ziri n'ubushobozi bginshi, kand' ubuntu bg'Imana bginshi buba kuri bo bose.

Abaroma 9:16

Ni co gituma bitava ku kugomba kw'umuntu, canke ku gushimika kwiwe, ariko biva ku Mana igira ikigongwe.

Abaroma 5:15

Arikw ingabire y'Imana ntimera nka ca gicumuro. Kw igicumuro c'umwe catumye abenshi bapfa, ubuntu bg'Imana n'ingabire y'ubuntu bg'umuntu umwe Yesu Kristo vyarushirije gusāguka kuri benshi.

Ivyakozwe N'intumwa 3:19

Nuko mwihane, muhindukire, ivyaha vyanyu bihanagurwe, ibihe vyo guhēmbūka bibone ingene biza, bivuye mu nyonga z'Umwami Imana.

Ivyakozwe N'intumwa 17:30

Nukw iyo misi y'ubutamenya, Imana yarayīrengagije, ariko noneho, igera kw abantu bose bari hose bihana.

Luka 13:3

Ndababgire, Si ko biri; ariko ni mutihana, namwe muzohona murtyo mwese.

Ivyakozwe N'intumwa 2:38

Petero arabishura, ati Ni mwihane, umuntu wese muri mwebge abatizwe mw izina rya Yesu Kristo, mubone guharirwa ivyaha vyanyu, kandi muzohabga ingabire, ari yo Mpwemu Yera.

Matayo 3:2

Ati Mwihane, kuk' ubgami bgo mw ijuru buri hafi.

Imigani 28:13

Ūpfukapfuka ibigabitanyo vyiwe ntazoronka umugisha, Arik' ūvyihana akabireka azogirirwa ikigongwe.

2 Ab'i Korinto 7:10

Umubabaro wo mu buryo bg' Imana utera ukwihana kuticuzwa, kuzana agakiza: arik' umubabaro wo mu buryo bg'isi utera urupfu.

**Ivyahishuriwe Yohana 3:20**
Ehe mpagaze ku rugi, ndaramukije. Umuntu ni yumva ijwi ryanje, akugurura urugi, ndinjira i we, dusangire.

**Mariko 2:5**
Yesu abonye ukwizera kwabo, abgira ico kimuga, ati Mwana wanje, ivyaha vyawe urabihariwe.

**Ezekiyeli 18:21**
Arik' umunyavyaha ni yahindukira akava mu vyaha vyiwe vyose yakora, akitondera ivyagezwe vyanje vyose, agakora ibitunganye n'ibikwiye, n'ukuri azobaho, ntazopfa.

**Matayo 6:14**
Kuko ni mwaharira abantu ivyaha vyabo, na So wo mw ijuru azobaharira namwe.

**Ivyakozwe N'intumwa 5:31**
Uyo Imana yaramushize hejuru n'ukuboko kwayo kw'i buryo, ngw abe Umukuru n'Umukiza, ngw ahe Abisirayeli kwihana no guharirwa ivyaha.

**Yesaya 55:7**
Umunyavyaha n'areke inzira yiwe, ūgabitanya areke ivyiyumviro vyiwe: agaruke k'Uhoraho, na we aramugirira ikigongwe, agaruke ku Mana yacu, kukw ikunda guharira.

Tito 2:11, 12

Kuk' ubuntu bg'Imana bgaserutse, buzanira abantu bose agakiza, butwigisha kwikunkumura ukutubaha Imana n'ukwifuza ivy' isi, bukatwigisha kwama tudahugumba, tugororoka, twubaha Imana, mu gihe ca none.

Yesaya 1:16

Ni mwiyuhagire, mwitunganye, mukūreh' ibibi vyo mu bikorwa vyanyu bive mu nyonga zanje; mureke gukora ibibi.

1 Yohana 2:15, 16

Ntimugakunde isi, cank' ibiri mw isi. Umuntu ni yakunda isi, ugukunda Data wa twese ntikuzoba kuri muri we. Kukw ikiri mw isi cose ar' ivyifuzo vy'umubiri, n'ivyifuzo vy'amaso, n'ubgibone bg'ubu bugingo, bitanduruka kuri Data wa twese, ariko vyanduruka mw isi.

Ab'i Kolosayi 3:2

Mushire imitima ku biri hejuru, ntimuyishire ku biri mw isi.

Abanyefeso 5:11

Kandi ntimugafatanye n'ibikorwa birumvye vy'umwiza, ariko cane-cane mubiserure.

2 Timoteyo 4:10

Dema yarantaye, kukw akunze iyi si ya none, yīgīra i Tesalonike: Keresikenti yagiye i Galatiya: Tito yagiye i Dalumatiya.

1 Yohana 2:29
Ko muzi yuk' uwo ar' umugororotsi, murazi yuk' ūkora ivy' ukugororoka wese yavyawe na we.

1 Petero 1:23
Kuko mwavyawe ubga kabiri, mutavyawe n'imbuto ibora, ariko mwavyawe n'imbuto itabora, mubiheshejwe n'ijambo ry'Imana ririho rigahoraho.

2 Ab'i Korinto 5:17
Nuko rer' umuntu wese iy' ari muri Kristo, aba ar' icaremwe gisha: ivya kera biba bihise, vyose biba bicitse bisha.

Yohana 3:3
Yesu aramwishura, ati N'ukuri, n'ukuri ndakubgire: Iy' umuntu atavyawe ubga kabiri, ntashobora kubona ubgami bg'Imana.

1 Yohana 5:18
Turazi yuk' umuntu wese avyawe n'Imana adakora ivyaha, arik' umwe yavyarwa n'Imana aramuzigama, kandi wa Mubi ntamukorako.

Ezekiyeli 36:26
Kandi nzobaha umutima musha, mbashiremw' impwemu nsha; nzokūra umutima ukomeye nk'ibuye mu mibiri yanyu, mbahe umutima woroshe nk'inyama.

**Abanyefeso 2:1 na 6**

Namwe yarabagize bazima, hamwe mwari mupfuye mwishwe n'ibicumuro n'ivyaha vyanyu. . . yatuzuranye na we, itwicarikana na we ahantu ho mw ijuru, turi muri Kristo Yesu.

**Ab'i Kolosayi 3:1**

None rer' asangwa mwarazuranywe na Kristo, murondere ibiri hejuru, iyo Kristo ari, avyagiye i buryo bg'Imana.

**1 Petero 2:24**

Ubgiwe yikoreye ivyaha vyacu mu mubiri wiwe, abambge ku giti, kugira ngo dupfuye ku vyaha tubeho ku kugororoka; inguma ziwe ni zo zabakijije.

**Abaroma 6:2 na 11**

Twebge twapfuye ku caha, twoba tukikibamwo dute? . . Abe ari ko namwe mwiyumvira ko mwāpfuye ku caha, ariko ko muriho mur' ab' Imana, muri muri Kristo Yesu.

**Ab'i Kolosayi 2:13**

Kandi hamwe mwari mugipfuye mwishwe n'ibicumuro vyanyu n'ukudakebga kw'imibiri yanyu, yabagiranye bazima na we, imaze kuduharira ibicumuro vyacu vyose.

**Ab'i Galatiya 5:24**

Kand' aba Kristo Yesu bābambanye akameremere kabo n'ivyo gahahamiye n'ivyo kifuza.

### Yohana 17:3

Ubu ni bgo bugingo budashira, ko bamenya wewe, Imana yonyene y'ukuri, n'uwo watumye, Yesu Kristo.

### Yohana 3:36

Uwizeye Umwana arafise ubugingo budashira, arik' ūtumvira Umwana ntazobona ubugingo, arik' uburake bg'Imana buguma kuri we.

### Yohana 3:14, 15

Kand' uko Mose yamanitse inzoka mu bugaragwa, ni k'Umwana w'umuntu akwiye kumanikwa, ng' ūmwizera wese ahabge ubugingo budashira.

### Ab'i Galatiya 6:8

Ūbiba mu buryo bg'umubiri azokwimbura ukubora mu mubiri; arik' ūbiba muri Mpwemu azokwimbura muri Mpwemu ubugingo budashira.

### Abaroma 6:23

Ingero y'icaha n'urupfu; arikw ingabire y'Imana n'ubugingo budashira, bubonerwa muri Kristo Yesu Umwami wacu.

### Yohana 5:24

N'ukuri, n'ukuri ndababgire: Uwumva ijambo ryanje, akizera uwantumye, ni we afise ubugingo budashira, kandi ntazoshirwa mu rukinja, arikw aba avuye mu rupfu, ashitse mu bugingo.

**Ab'i Galatiya 4:6**

Kandi kuko mur' abana bayo, Imana yatumye Mpwemu w'Umwana wayo mu mitima yacu, ataka, ati Abba, Data.

**Yohana 14:21**

Ūri n'ivyagezwe vyanje akavyitondera, uwo ni we ankunda, kand' ūnkunda azokundwa na Data, nanje nzomukunda, kandi nzomwihishurira.

**Yesaya 32:17**

Ubugororotsi buzovyara amahoro, kand' ubugororotsi buzozana ugutekereza n'ivyizigiro gushitsa ibihe bidashira.

**Abaroma 8:16**

Mpwemu ubgiwe abgiririkanya n'impwemu yacu, ar' icabona, yuko tur' abana b'Imana.

**1 Yohana 3:18, 19**

Bana bato, ntidukundane mu majambo canke ku rurimi, ariko dukundane mu vyo dukora no mu kuri. Ico ni co kizotumenyesha ko tur' ab' ukuri, kandi tuzoshitsa umutima mu nda imbere yayo.

**1 Yohana 4:13**

Iki ni co kitumenyesha yuko tuguma muri yo, na yo ikaguma muri twebge, n'uko yaduhaye kuri Mpwemu wayo.

# KRISTO ABAYE MURI TWEBGE ADUHA UMUNEZERO

### Yohana 17:13

Ariko none ndaje kuri wewe, kand' ibi mbivuga ndi mw isi, kugira ngo bagire umunezero wanje wuzure muri bo.

### Ab'i Galatiya 2:20

Nabambanywe na Kristo, ariko ndiho; yamara si jewe nkiriho, ni Kristo ariho muri jewe. Ivyo nkora vyose nkiriho mu mubiri mbikoreshwa no kwizera Umwana w'Imana yankunze, akanyigura.

### Yesaya 12:3

Ni co gituma muzovomana umunezero mu mariba y'agakiza.

### Yohana 15:11

Ivyo mbibabgiye, kugira ng' umunezero wanje ube muri mwebge, kandi n'umunezero wanyu wuzuzwe.

### Zaburi 16:11

Uzondangira inzira y'ubugingo: Mu nyonga hawe ni ho har' akanyamuneza kuzuye; Mu kuboko kwawe kw'i buryo hahora ibihimbaye ibihe bidashira.

### Abaroma 14:17

Kuk' ubgami bg'Imana atar' ukurya n'ukunywa, ariko n'ukugororoka, n'amahoro, n'umunezero vyo muri Mpwemu Yera.

Abaroma 2:13

Kukw abumvise ivyagezwe atari bo bagoroka imbere y'Imana, abāvyumviye ni bo bazotsindanishirizwa.

Abaroma 6:16

Ntimuzi yuko shobuja mwihaye kuba abagurano bo kumwumvira, mur' abagurano b'uwo mwumvira uwo? Namba mur' abagurano b'icaha kizana urupfu, cank' abo kwumvira Imana kuzana ukugororoka.

2 Ab'i Tesalonike 1:7-9

No kwishura mwebge abayaterwa kuruhukana natwe, ah' Umwami Yesu azohishurirwa, ava mw ijuru, azananye n'abamarayika b'ubushobozi bgiwe, hagati mu muriro waka, yishure guhōrwa abatāmenye Imana n'abatumvira ubutumwa bgiza bg'Umwami wacu Yesu. Bazohanwa, ni kwo guhona kw'ibihe bidashira, kuva mu nyonga h'Umwami no mu bgiza bg'ubushobozi bgiwe.

Gusubira Mu Vyagezwe 11:26-28a

Rāba, uyu musi mbashize imbere umugisha n'umuvumo: uwo mugisha muzowuhabga ni mwitondera ivyagezwe vy'Uhoraho Imana yanyu, ivyo mbagera uyu musi; uwo muvumo muzowuvumwa ni mutumvira ivyagezwe vy'Uhoraho Imana yanyu. . .

Ab'i Filipi 2:11

Kand' indimi zose zize zature yuko Yesu Kristo ar' Uhoraho, ngo biheshe Imana Data wa twese icubahiro.

Matayo 10:32, 33

Umuntu wese azonyaturira imbere y'abantu, nanje nzomwaturira imbere ya Data wo mw ijuru. Arik' umuntu wese azonyihakanira imbere y'abantu, nanje nzomwihakanira imbere ya Data wo mw ijuru.

Abaroma 10:9, 10

Kuko ni wāturisha akanwa yuko Yesu ar' Umwami, ukizera mu mutima yukw Imana yamuzuye imukūye mu bapfuye, uzokizwa. Kuk' umutima ari wo umuntu yizeresha, akaronka ukugororoka: kand' akanwa akaba ari ko yāturisha, akaronka agakiza.

1 Yohana 2:23

Umuntu wese ahakana Umwana, na Data wa twese ntamufise: uwemera Umwana, afise na Data wa twese.

Luka 9:26

Kuk' umuntu wese bizotera isoni kunyemera no kwemera amajambo yanje, n'Umwana w'umuntu bizomutera isoni kumwemera, ah' azozira afise ubgiza bgiwe n' ubga Se n'ubg' abamarayika bera.

**Abanyefeso 6:11**
Mwambare ibirwanishwa vyose vy'Imana, kugira ngo mushobore guhagarara mudatsinzwe n'ubugunge bga wa Murwanizi.

**1 Petero 5:8**
Mwirinde ibiboreza, mwame mugavye: umurezi wanyu, ari we wa Murwanizi, agendagenda nk' intambge yivuga, arondera uwo arotsa.

**Matayo 4:1 na 10, 11**
Buno Yesu adūganwa na Mpwemu mu bugaragwa ngw ageragezwe n'Umurwanizi. . . Buno Yesu aramubgira, ati Mvako, Satani, kuko vyanditswe, ng' Uhoraho, Imana yawe, abe ari yo usenga, kand' abe ari yo usaba yonyene. Maz' Umurwanizi aramureka, kand' abamarayika baraza, baramukorera.

**Ivyakozwe N'intumwa 26:18**
Kubahumūra amaso kugira ngo bahindukire bave mu mwiza baje mu muco, bave no mu bubasha bga Satani baje ku Mana, bateko baharirwe ivyaha vyabo, baraganwe n'abejejwe n'ukunyizera.

**2 Ab'i Tesalonike 2:9**
Ukuza kw'uwo mugarariji kuri mu buryo bg'inkomezi za Satani, kuri n'ubushobozi bgose n'ibimenyetso n'ibitangaza vy'ibinyoma.

Abaheburayo 2:14

Nuko rero, kukw abana bahūje inyama n'amaraso, na we ubgiwe yahūje ivyo na bo, kugira ngw abone ukw apfa, kand' urupfu rwiwe aruhindurishe ubusa ūfise ubushobozi bg'urupfu, ni we wa Murwanizi.

1 Yohana 3:8

Ūkora ivyaha n'uwa wa Murwanizi, kuk' uhereye ubga mbere na mbere uwo Murwanizi yamye akora ivyaha. Icatumye Umwana w'Imana ahishurwa ngiki: n'ukugira ngw asangangure ibikorwa vy'Umurwanizi.

Abaroma 8:35, 37

Ni nde azodutandukanya n'urukundo rwa Kristo? Mbega n'amarushwa, canke n'ivyago, canke n'uguhamwa, canke n'nzara, canke n'ukwambara ubusa, canke n'ukuba mw irinde, canke n'inkota? . . . Ariko mur' ivyo vyose turushishwaho kunesha n'uwadukunze.

Yakobo 4:7, 8a

Nuko mugamburukire Imana, ariko murwanye wa Murwanizi, na we azobahunga. Mwiyegereze Imana, na yo izobēgēra.

Yohana 13:35

Ni mwagiriranira urukundo, ni ho bose bazomenya ko mur' abigishwa banje.

1 Ab'i Korinto 13:1

Naho novuga indimi z' abantu n'iz' abamarayika, ariko ntagira urukundo, noba ncitse umuringa uvuga, cank' icuma kivuzwa kigasāma.

Yohana 21:16

Yongera kumubaza ubugira kabiri, ati Simoni, mwene Yohana, mbeg' urankunda? Na we at' Ego, Mugenzi, wewe urazi ko nkunogera. Aramubgira, ati Ragira intama zanje.

1 Yohana 4:20

Umuntu ni yavuga, ati Nkunda Imana, akanka mwene Data wundi, aba ar' umubeshi. Kuk' ūdakunda mwene Data yabonye ntashobora gukunda Imana atābonye.

Ab'i Galatiya 5:22, 23a

Arikw ivyo Mpwemu yama n' urukundo, umunezero, amahoro, ukwihangana, kugira neza, ingeso nziza, kuba, umwizigirwa, ubugwaneza, ukwirinda. . .

Abaroma 4:25

Yatangiwe ibicumuro vyacu, akazurwa kugira ngo dutsindanishirizwe.

Yohana 20:26-28

Maz' imisi munani ishize abigishwa bāri mu nzu ukundi gusha, na Toma bāri kumwe. Yesu araza, inzugi zari zugaye, abahagarara hagati, at' Amahoro abe muri mwebge. Maz' abgira Toma, ati Zana hano urutoke rwawe, urābe ibiganza vyanje; zana n'urushi, urushire mu rubavu rwanje, nta co uba ūtizera, arik' ube uwizeye. Toma aramwishura, ati Mwami wanje, kandi Mana yanje. Yesu aramubgira, ati Wijejwe n'uk' umbonye. Hahirwa abatarinze kubona, yamara bakizera.

Ivyakozwe N'intumwa 10:39-41

Natwe tur' ivyabona vyo gushingira intahe ivyo yakoze vyose mu gihugu c' Abayuda, bo n'i Yerusalemu, umwe bishe, bamumanitse ku giti. Uyo, Imana iramuzura ku musi ugira gatatu, imuha guserurwa ahibonekeza, s'imbere y'abantu bose, arikw imbere y'ivyabona vyatoranijwe n'Imana ivyo bitarabaho, ni twebge, abāsangira na we, turya kandi tunywa, amaze kuzuka mu bapfuye.

Matayo 16:21

Kuva ubgo Yesu atangura guserurira abigishwa biwe kw akwiye kuzoja i Yerusalemu no kuzobabazwa uburyo bginshi n'abashingantahe n'abaherezi bakuru n'abanyabgenge b'ivyanditswe, no kuzokwicwa, no kuzozurwa ku musi ugira gatatu.

Abaroma 6:3-5

Canke ntimuzi yuko twese abābatirijwe kuba muri Kristo Yesu, twabatirijwe kuba mu rupfu rwiwe? None rero kubatzwa kwatumye duhambanwa na we tuba mu rupfu rwiwe, kugira ngo, nk' uko Kristo yazuwe mu bapfuye n'ubgiza bga Data wa twese, abe ari ko natwe tugendana ubugingo busha. Ko twakoranijwe na we n'igishushanyo c'urupfu rwiwe, tuzokoranywa na we n'ic' ukuzuka kwiwe na co.

Yohana 5:25 na 28, 29

N'ukuri, n'ukuri ndababgire: Igihe kiza, kandi kirashitse, ah' abapfuye bazokwumvira ijwi ry' Umwana w'Imana, kand' abazoryumva bazoba bazima. . . Ntimutangazwe n'ico; kukw igihe kija kuza, ah' abari mu mva bose bazokwumvira ijwi ryiwe, bakazivamwo; abākoze ivyiza bakazukira ubugingo, abākoze ibibi bakazukira gucirwakw iteka.

### 2 Ab'i Korinto 7:1

Nuko bakundwa, ko dufise ivyo vyasezeranywe, twiyuhagire ubuhumane bgose bg'umubiri n' ubg' umutima, kuba abera tugushikishe kwubaha Imana.

### 2 Timoteyo 2:21

Umuntu ni yiyeza, akitandukanya n'ivyo, azoba igikoreshwa c'icubahiro, cejejwe, kigirira nyene co ikimazi, catunganirijwe igikorwa ciza cose.

### 1 Petero 1:2

Mwatoranirijwe mu kweza kwa Mpwemu nk'ukw Imana Data wa twese yabamenye uhereye kera, kugira ngo mwumvire Imana, mucucagirwe amaraso ya Yesu Kristo. Ubuntu n'amahoro bigwire muri mwebge.

### 1 Petero 1:15

Ariko nk'ukw Iyabahamagaye ar' iyera, namwe abe ari ko muba abera mu ngeso zanyu zose.

### 2 Timoteyo 2:15

Wame ugira umwete wo kwiha Imana nk'uwamaze kurama, umukozi atarinda gutērēwa, aramiriza neza mw ijambo ry'ukuri.

### Luka 1:74, 75

Kw izoduha gukizwa amaboko y'abansi bacu, Tukayisenga ata bgoba, Tur' abera tugororoka mu nyonga zayo imisi yacu yose.

### 1 Yohana 1:9

Ni twatura ivyaha vyacu, ni yo yo kwizigirwa kand' igororoka, ivyo ni vyo bituma iduharira ivyaha vyacu, ikatwoza ukugabitanya kwose.

### Yesaya 35:8

Kandi hazobay' inzira y'iroro, iyo nzira izokwitwa Inzira Yera. Abanduye imitima ntibazoyicamwo, arikw izoba iy' abantu biwe. Abayicamwo, naho hobamw' ibijuju, ntibazozimira.

### Abaheburayo 13:12

Ni co catumye na Yesu ababarizwa inyuma y'irembo, kugira ngo yezeshe abantu ayiwe maraso.

### Abanyefeso 1:4

Nk'uko yadutoranirije muri we, itanguriro ry'isi ritarashirwaho, kugira ngo tube abera tutagira agasembga imbere yayo, turi mu rukundo.

### 2 Petero 3:11

None, kw ivyo vyose bizoshonga birtyo, mukwiye kumera mute mu ngeso zera no mu kwubaha Imana.

### Matayo 3:11

N'ukuri jeho ndababatiza mu mazi ngo mwihane; arik' ūzoza hanyuma yanje andusha ubushobozi, ntibimbereye no kumutwaza inkweto. Uyo azobabatiza muri Mpwemu Yera no mu muriro.

Ivyakozwe N'intumwa 11:24

Kuko yar' imico myiza, yuzuye Mpwemu Yera n'ukwizera. Abantu benshi bagwiririana ku Mwami Yesu.

Abaroma 8:9

Ariko mweho ntimuganzwa n' akameremere k'umubiri, ariko muganzwa n'impwemu, bisanzwe Mpwemu w'Imana aba muri mwebge. Arikw iy' umuntu adafise Mpwemu wa Kristo ntaba ar' uwiwe.

Luka 11:13

None mwebge, ko muzi guha abana banyu ingabire nziza muri babi, mbega So wo mw ijuru ntazorushiriza rwose guha Mpwemu Yera abamumusavye?

Ezekiyeli 36:27

Kandi nzobashiramwo Mpwemu wanje, ndabagendeshereze mu vyagezwe vyanje, namwe muzokwitondera amabgirizwa yanje, muyashitse.

Ivyakozwe N'intumwa 4:31

Bahejeje gusenga, aho bakoraniye haratigita, bose buzuzwa Mpwemu Yera, bavuga ijambo ry' Imana bashize amanga.

Ivyakozwe N'intumwa 1:8a

Ariko muzohabga ubushobozi, Mpwemu Yera ni yabazako, muzoba ivyabona vyo kunshingira. . .

Abaheburayo 12:7a

Ico mukwiye kwihanganira n' ugutozwa indero nziza. . .

Zaburi 34:18

Uhoraho aba hafi y'abafise imitima imenetse, Kand' akiza abafise imitima ijanjaguritse.

Ivyahishuriwe Yohana 21:4

Izohanagura amosozi yose ku maso yabo, kand' urupfu ntiruzoba rukiriho, kand' amaborogo no gutaka n'uburibge ntibizoba bikiriho: kukw ivya mbere bishize.

Yesaya 66:2

Kukw ivyo vyose intoke zanje ari zo zabiremye, bikabaho vyose, ni k' Uhoraho agize; arik' umuntu w'impahazwa afise umutima umenetse, agahindishwa agashitsi n' ijambo ryanje, uwo ni we nzohozakw ijisho.

1 Petero 4:12, 13

Abo nkunda, umuriro uri hagati yanyu wo kubagerageza ntukabatangaze, nk'aho mubonye akatābonetse. Ariko munezerezwe n'uko mufatanije n'imibabaro ya Kristo, kugira ngo no mu gihe co guhishurwa kw'ubgiza bgiwe muze munezerwe muhimbarwe.

Zaburi 37:3

Wizigire Uhoraho, ukore ivyiza, Guma mu gihugu, ushishikare ivy' ukuri.

2 Ab'i Korinto 4:17

Kukw amarushwa yacu ahwahutse y'akanya ka none yiyongeranije cane kudushikiriza ubgiza buremereye bg'ibihe bidashira.

Abaheburayo 2:18

Kuk' ubgiwe ko yababajwe no kugeragezwa, ashobora no gutabara abageragezwa.

Zaburi 34:19

Amarushwa y'umugororotsi ni menshi, Arik' Uhoraho ayamukiza yose.

Yesaya 43:2

Ni waca mu mazi nzoba ndi kumwe nawe, no mu nzūzi ntizizokurengera; ni waca mu muriro ntuzosha, kandi n'urubeya ntiruzokubabura.

Abaroma 8:28

Kandi turazi yuko ku bakunda Imana vyose bifataniriza hamwe kubazanira ivyiza, abāhamagawe nk'uko yabigabiye.

1 Ab'i Korinto 10:13

Nta cabagerageje kitar' ic' umuntu yoshobora kwihanganira: arikw Imana n'iyo kwizigirwa ntizobakundira ko mugeragezwa n'ibiruta ivyo mushobora, ariko hamwe n'ikibagerageza izobacira icanzo, kugira ngo mubone ingene mushobora kucihanganira.

Ivyahishuriwe Yohana 21:7
Ūnesha azoragwa ivyo, nanje nzoba Imana yiwe, na we azoba umwana wanje.

Ivyahishuriwe Yohana 3:5
Ūnesha azokwambikwa artyo impuzu zera, kandi sinzosibanganya izina ryiwe mu gitabo c'ubugingo na mba, kandi nzokwatura izina ryiwe imbere ya Data, n'imbere y'abamarayika biwe.

Ivyahishuriwe Yohana 3:12
Ūnesha nzomugira inkingi yo mu rusengero rw'Imana yanje, kandi ntazosohoka ukundi, nanje nzomwandikakw izina ry'Imana yanje, n'iry' umurwa w'Imana yanje, ni wo Yerusalemu musha, wururuka uvuye mw ijuru ku Mana yanje, kandi nzomwandikakw izina ryanje risha.

Ivyahishuriwe Yohana 2:7
Ūri n'ugutwi ni yumve ico Mpwemu abgira amashengero. Ūnesha, nzomuha kurya ku vyamye ku giti c'ubugingo kiri muri Paradiso y'Imana.

Ivyahishuriwe Yohana 3:21
Ūnesha, nzomuha kwicarana nanje ku ntebe yanje y'ubgami, nk'uko nanje nanesheje nkicarana na Data ku ntebe yiwe.

Matayo 5:32

Ariko jeho ndababgira yuk' umuntu wese yirukana umugore wiwe atamuhōye ubusambanyi, aba amusambanishije: kand' uwābīra uwahukanye azoba asambanye.

Luka 16:18

Umuntu wese yirukana umugore wiwe, akābīra uwundi, aba asambanye; kandi n'uwābīra umugore yahukanye n'umugabo wiwe aba asambanye.

Abaroma 7:2, 3

Kukw ivyagezwe bihambirira umugore ku mugabo wiwe, akiriho: arik' umugabo wiwe iy' apfuye, umugore aba ahamburuwe ngo ntaganzwe na we. None rero, umugabo wiwe akiriho, yokwābīrwa n'uwundi mugabo, yokwitwa umusambanyikazi: arik' umugabo wiwe iy' apfuye, ntaba akiganzwa n'ivyagezwe, bituma atoba umusambanyikazi, naho yokwābīrwa n'uwundi mugabo.

1 Ab'i Korinto 7:10, 11

Abamaze kurongorana, ndabagera, ariko si jewe, n'Umwami wacu, umgore yoye kuvana n' umugabo wiwe; arikw aramutse avanye na we, abe igisubiramuhira, canke yisubize hamwe n' umugabo wiwe. Kand' umugabo yoye guta umugore wiwe.

**Ivyahishuriwe Yohana 3:11**
Ngira nze vuba: wumire ku co ufise, ntihagire ūgutwara igitsibo cawe.

**Mariko 8:38**
Kuk' umuntu wese bizotera isoni kunyemera no kwemera amajambo yanje mur' iki gihe c'ubusambanyi kandi c' ikinyavyaha, n' Umwana w'umuntu bizomutera isoni kumwemera, ah' azozira afise ubgiza bga Se, azananye n' abamarayika bera.

**Yakobo 5:8**
Nuko namwe mwihangane, mureme mu mitima, kuk' ukuza kw'Umwami kuri hafi.

**Matayo 24:27**
Nk'uk' umuravyo urabiriza i burasirazuba ukabonekera iyo rirengera, ni k' ukuza kw'Umwana w'umuntu kuzomera.

**Matayo 24:30**
Bun' ikimenyetso c'Umwana w'umuntu kizobonekera kw ijuru, ni ho amoko yose yo mw isi azoboroga, bazobona Umwana w' umuntu aje mu bicu vyo kw ijuru ari n'ububasha n'ubgiza bginshi.

**Yohana 14:3**
Kandi ko ngiye kubategurira ahanyu, nzogaruka kubajana i wanje, ngw aho ndi namwe abe ari ho muba.

1 Yohana 3:2

Abo nkunda, none tur' abana b'Imana, arik' uko tuzomera ntikurahishurwa; ico tuzi, n'uko Yesu ni yahishurwa tuzosa na we, kuko tuzomurāba ukw ari.

Ivyahishuriwe Yohana 16:15

Ehe ndaza nk'igisuma. Hahirwa ūba maso, akazigama impuzu ziwe, ngo ntagende amēnya, bakabona isoni z'ubgambure bgiwe.

Ivyakozwe N'intumwa 1:11

Barababaza, bati Yemwe bagabo b'i Galilaya, n'iki gitumye muhagaze murāba mw ijuru? Uyo Yesu, abakūwemwo, akadūzwa mw ijuru, azoza artyo, nk'uko mumubonye aja mw ijuru.

Luka 21:27

Ni ho bazobona Umwana w'umuntu aje mu gicu, ari n'ububasha n'ubgiza bginshi.

Luka 12:40

Namwe mwame mwiteguye, kuk' Umwana w'umuntu azoza mu gihe mutiyumviriye.

Matayo 16:27

Kuk' Umwana w'umuntu azohava aza afise ubgiza bga Se, azananye n'abamarayika biwe; ni ho azoca yishura umuntu wese ibikwirnye n'ivyo yakoze.

# IJAMBO RY'IMANA

**Nabītse ijambo ryawe mu mutima wanje Ngo noye kugucumurako. —Zaburi 119:11**

**Ntimuze mwungurire ku vyagezwe mbagera, canke ngo mubigabanye, kugira ngo mubone kwitondera ivyagezwe vy'Uhoraho Imana yanyu mbagera. —Gusubira Mu Vyagezwe 4:2**

**Yesu arabishura, ati Mwarazimiye, ko mutāmenye ivyanditswe n'ubushobozi bg'Imana. —Matayo 22:29**

**Kukw ata jambo ry'abāvugishwa n'Imana ryazanywe no kugomba kw'umuntu, arikw abantu bāvuga ivyava ku Mana, barōngōwe na Mpwemu Yera. —2 Petero 1:21**

**Ijambo ryawe n'itara rimurikira ibirenge vyanje, N'umuco umurikira mu nzira yanje. —Zaburi 119:105**

**Ivyanditswe vyose vyahumetswe n'Imana, kandi bigira ikimazi co kwigisha umuntu, no kumuhana, no kumutunganya, no kumutoza indero nziza mu kugororoka. —2 Timoteyo 3:16**

**Ijuru n'isi bizorangira, arikw amajambo yanje nta co azoba. —Luka 21:33**

Published by World Missionary Press, Inc., P.O. Box 120, New Paris, IN 46553



**EHC Burundi**
**B.P. 7425**
**Bujumbura Burundi**

**E-mail: ehcburundi2009@gmail.com**

Text reprinted from the Bible in Kirundi by permission of the British and Foreign Bible Society, London.